ACTION BATWA POUR LE DEVELOPPEMENT INTEGRAL ET L'ASSISTANCE AUX VULNERABLES DU BURUNDI (ABDIAV)

*L'amour au service de la Nation*

**N° Réf : 0026/ ABDIAV du 31/ 7/ 2024**

Kuri Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu c'Uburundi
I
Gitega

**Bimenyeshejwe :** Umushikiranganji bw'ibidukikije Uburimyi n'Ubworozi

Invo : Gutabariza Imiryango y'Abatwa

Nyenicubahiro Mukuru w'I Gihugu c'Uburundi,
Ishirahamwe rya Batwa ABDIAV riri n'iteka ryo kubandikira ribamenyesha ikibazo Abatwa bo k'umutumba na Zone Vyuya, Komine Mugamba Intara ya Bururi bafise muri kino gihe aho imiryango 13 y'Abatwa itagira aho ikika umusaya kubera babuze aho baba aho bari abagererwa naho bitagikunda ko bahaba kubera kurwirirana kw'iyo miryango baciye baja ahari itongo rya Reta kuba baricayeho mukurindira ko abajejwe intwararo bagira ico bakoze mugutabara abo batwa bari mukangaratete batagira icepfo naruguru inyuma y'amakete bandikiye Musitanteri basaba itongo bobamwo.

Ishirahamwe rya Batwa ABDIAV, n'Ishirahamwe riharanira ineza y'abatwa hamwe nogushigikira ba ntahonikora mu Burundi rikaba ryashinzwe mumwaka wa 2020 muntumbero yo guhangana n'ibibazo abatwa bahura navyo hamwe n'abantahonikora ari naco gituma ritabariza abo batwa Nyenicubahiro Mukuru w'I gihugu cacu ciza c'u Burundi kugira mudufashe kuronsa abo batwa bahangayitse kandi turashima uko mudahengeshanya kugira utwigoro ku Batwa kugira nabo bazobe bifashe mbere bazo nabe abateye imbere twisunze intumbero y'imyaka 2040 igihugu cifashe 2026 Igihugu giteye imbere mbere mukaba mwaranategetse ko umutwa aronka itongo nk'abandi barundi kandi nahari ibumba babandanye kurikoresha ibiriko bituma abatwa baterintambwe.

Nyenicubahiro Mukuru w'i Gihugu , abo batwa bamaze kubura iyo bava n'iyo baja barandikiye abajejwe intwaro nk'uko mubibona munyandiko mperekeza bandikiye intwaro aho bahereyeye ariko ntanyishu bigeze bahabwa. Bamaze kubona ko batagiye kworoherwa niho bigira inama yo kuja kwicara gato ahari itongo rya Reta mu kurindira

*Adresse : Bujumbura -Burundi; Commune Mukaza - Quartier Asiatique de l'Amitié Avenue du large au Centre de Musée Vivant de Bujumbura; Tél : (+257) 79853318 / (+257) 69146601/ (+257) 62422135;*
*E-mail :* abdiav2020@gmail.com *Facebook : Abdiav*
*ORDONANCE MINISTERILLE NO 530/ 602 DU 13 / 04 /2020*

ko boroswa inyishu baka baje kuba barakitse umusaya muriryo tongo kuva igenekerezo rya 17/07/2024 haciye iminsi mike abo batwa niho babona ko batariko boroherwa mukibano, **niho twamenyeshwa mw'ishirahamwe ko hari imiryango 13 y'abatwa igizwe n'abantu bataribake bo kumutumba na zone Vyuya yagiye kuba mw'itongo rya Reta bisunze ijambo mwavumereye ko abatwa boronswa amatongo kandi turakenguruka muri ABDIAV kumunsi mukuru mpuzamakungu wahariwe abasangwabutaka mu Ntara ya Ruyigi igenekerezo rya 09 /08/202.**

Nyenicubuhiro Mukuru w'i Gihugu, natwe Nk'iboneza twobamenyesha ko twararondeye mu Sitanteri wa Komine Mugamba tumumesha kugira acemure ico ikibazo akaba atanyishu twarose ituremesha ariko akavuga ko yagishikirije abamukurira arinaco gituma ishirahamwe rya Batwa ABDIAV dutabariza abo Batwa kuri mwebwe kugira mudufashe gukomorera abo batwa aho bagiye kuba baricaye canke mubaronse ahandi bave mumwiheburo kuko bagirizwa ko bihagiye itongo rya Reta ariko nkatwe nk'Imboneza tugasigura ko abo batwa babuze aho baba batihagiye iryo tongo ahubwo bashimye kuba baragiye aho mukurindira abajejwe intwaro bagira ico bakoze kugira bagire icobakoze abo batwa baronke aho baba natwe kubw'iyo ngorane twabona ko icokibazo cokemura abajejwe intwaro kugira iyo miryango ironke aho iba kandi ironke amatongo nk'abandi guko iyo miryango 13 irimwo abantu 65 gushika ubu iri mw'itongo rya Reta kubera ukubura aho baba iroswe amatongo canke yubakirwe kibirwati tukaba twizigira ko muzodufasha kuba hafi y'ico kibazo abo batwa barimwo giteye agahinda aho barara badasinziriye mbere bageze aho bihebura kuko bagiye kuzoyerera batagira iyo baja niyo bava ari naco gituma Sebarundi Nyenicubahiro ishirahamwe ry'Abatwa ABDIAV ririko ritabariza abo batwa tunabamenyesha ko batihagiye iryo tongo ahubwo babonye katahandi bokwitura atari Reta mvyeyi musanzwe murongoye idahengeshanya kwitaho ineza y'abatwa n'acane cane kuvy'amatongo n'indero muri rusangi tukaba tubashimira. Iyo miryango yarisanzwe iri mukangaratete kubera kubara atamatongo ariko kandi yariyarandikiye musitanteri ariko ntaco yashimye kugira ico abivuzeko abo batwa bakaba bari abagererwa mugatongo atako kameze kubera kari gato nabo babona ko atakundi bari bubigenze, **abo batwa baciye baja kuba baricaye muririyo tongo bisunze ijambo mwatangiye muntara ya Ruyigi nk'uko bavyivugira ubwabo aho mwavumereye muvuga ko umutwa wese aronga itongo gushika ubu umutwa akaba ashima kubwiyo ngingo mbere abo batwa bakaba bahisemwo kuba baricaye muriryo tongo tugasaba kubaba hafi abajejwe intwaro kurwego rwa komine n'intara eka mbere no kurwego rw'igihu ishirahamwe ry'abatwa ABDIAV risaba ko mwodufasha gushira itegeko rigenga itangwa ry'amatongo no gusubiramwo itegeko rivuga ivy'ibumba kubatwa kugira boroherezwe kurangura ibikorwa vyabo n'umwuga wabo wa minsi yose.**

*Adresse : Bujumbura -Burundi; Commune Mukaza - Quartier Asiatique de l'Amitié Avenue du large au Centre de Musée Vivant de Bujumbura; Tél : (+257) 79853318 / (+257) 69146601/ (+257) 62422135;*
*E-mail :* abdiav2020@gmail.com *Facebook : Abdiav*
*ORDONANCE MINISTERILLE NO 530/ 602 DU 13 / 04 /2020*

Nyenicubahiro Mukuruwigihu, nk'uko iyo miryango yari isanzwe igerewe n'abantu bo kuruyo mutumba wa Vyuya kandi tuziko ubugererwa bwakwuwe nk'uko twabimenye nk'uwurongoye Ishirahamwe riharanira ineza y'Abatwa, kw'igenekerezo rya 17 /07/2024. iyo miryango niho yaja kuba mw'itongo rya Reta riri aho muvyuya kuko atasaganirizo bari bafise bakaba bari basanzwe bafise ubukene butagira izina.

Ico Ishirahamwe ABDIAV risaba n'uko mworosa iyo miryango 13 amatongo yokubamwo muntumbero yugukurikiza ingingo ya ONU muntumbro zivuga ko atanumwe yosigazwa inyuma mw'iterambere none namwe n'ico mushira imbere gusa abafasha kurwego rwohasi nabo bafate iyakabiri mugishira mungiro ivyo gushira mungiro ivyo mudahengeshanya gushikiriza ngo umutwa nawe agire agateka kuko mwafashe iyambere.

Kugira imiryango y'abatwa yo mu Mugamba ifise amikoro make hamwe n'ukubura aho baba (amatongo) nayo ibeho nk'abandi tubona arimwe mwodufasha nk'uko mwama mwabikoze.

Dusaba kandi ko mwobarondere aho nabo bashinga isago kugira baronke aho banarima kuko nabo barashoboye gutera umuganda muvyiterambere.

Kuva nakera imiryango y'abatwa yaguma ihiga, ikaja aho amashamba asigaye kugira ibandanye ihiga arico catumye twisanga imiryango myishi y'abatwa yaba mubugererwa kumvo z'uko itagira amatongo yiharije, iyindi ikaja gukorera ingero bakayiha anaho ishinga umuganda nakare ntanzu zikomeye yari kubaka kubera ko abatwa baguma babonako bahawe indaro canke bagerewe ivyo bigatuma bama barinyuma muvy'iterambere ntibishiremwo kurondera amatongo kubwamikoro make no kutaronka umwidegmvyo aho bari bagererewe. None Nyenicubahiro Mukuru w'i Gihugu ibintu vyarahindutse aho abo batwa bari arico gitumye tubandikiye dutabariza abo benegihu b'abatwa bo mu Mugamba zone n'umutumba Vyuya muri Komine Mugamba kugira baronswe amatango na cane cane ko bafise n'uruvyaro burundi bwejo rutari ruke.

Nyenicubahiro Mukuru w'I gihugu, tubituye kugira mw'umve amagorwa iyo miryango irimwo hanyuma mugire ico mukoze

**Bigiriwe ibujumbura, kuwa 31./07./2024**

**Umukuru w'Ishiramwe ABDIAV akanariserukira**

**i mbere y'amategeko**

**Charles CIZA**

ACTION BATWA POUR LE DEVELOPPEMENT INTEGRAL ET L'ASSISTANCE AUX VULNERABLES — ABDIAV — Tél : +257 79 853 318 +257 69 146 601 — abdiav2020@gmail.com

**IKOPI IRUNGIKIWE :**

- **Buramatari w'intara nziza ya Bururi**
- **Musitanteri wa Komine Mugamba**
- **Uwujejwe** bw'ibidukikije Uburimyi n'Ubworozi mu Ntara ya Bururi

[illegible] – 05/04/2024

[illegible]

[illegible]

[illegible] (10) [illegible]

[illegible]

[illegible] Burikiza Immanuel [signature]

Nyagihotora

Intore: Kumenyesha Ingoma kuyo umuganga

nyakubahwa mu Sitante ya Kamanama
Mugamba turagenda tubamenyesha ingaruka
ku ngoro ku mutumba wa Nyagaga kuri umuganga
[illegible] batagira abo baba. Babona muvo
murongo kuyagenda [illegible] abo abo baba.
Hoje [illegible] umuntu
[illegible] gikwa nyagurenda aragiraro
kuri abantu bongana 44 batagira [illegible] na
[illegible] abo bata kuko amato nya yo keta
aratari kandi atagikotse kuba hashobora kwakula
Ingwara zifatiye kumenya nibo kuko abo bantu
bariho batarake! Murakoze.

Umukuru wo ku mutumba wa Nyagaga
NKESHIMANA Jérôme

Abajemama bo ku mutumba Nyagaga
- NIYONSÔRE Melanie
- SENDEGEYA Fabien
- NIYONGENDA Salvator
- NKORIKI Bernard